IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'INYANYA (ITOMATI)

TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi yumutse kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi hasigaye indwi zine ngo bateragire (ukwezi)	Kuyisanzaza mu murima bagaca bayizika buno
Gufumbira bakoresheje amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Ibiro 100 vy'amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega uvunze neza (ibivumvu 4 vyuzuye)	Inyuma y'irima rya imbere	Mu mabango
Gufumbira bakoresheje Umwavu w'ikizungu		Ibiro 3 vy'umwavu w'ikizungu witwa NPK 17-17-17 kuri are imwe	Inyuma y'indwi 2 bahejeje kubadika	Mu gaserege kameze nk'urugori rukikije igiterwa ku santimetero 10 uvuye ku giterwa

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

Tegera neza : *Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana, Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe*

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UDUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Milidiyu arirwo Urubabu rw'inyanya		- Gutera imbuto zirobanuye; - Gukurakuranya neza ibiterwa: inyanya ntizosubirira ibiraya, intore, ipilipili canke inyanya nyene; - Guteragira ku mwanya mwiza; - Gukura imihonyo;no kubagara hakiri kare - Kurembera inyanya.	Kuvanga imbuto n'umuti winjira mu mbuto witwa Ditane M45 (PM)	Amagarama 50 y'umuti mu malitiro 20 y'amazi kuri are uko indwi iheze
Alterenariyoze		- Guteragira ku mwanya mwiza; - Kurembera no guhonyorera inyanya; - Gukurakuranya neza ibiterwa: inyanya ntizosubirira ibiraya, intore, ipilipili canke inyanya nyene; - Guteragira imbuto zirobanuye.	Kuvanga imbuto n'umuti winjira mu mbuto witwa Ditane M45 (PM)	Amagarama 50 y'umuti mu malitiro 20 y'amazi kuri are uko indwi iheze
Ukuyoka kw'inyanya ariyo Bagiteriyoze		- Gukurakuranya ibiterwa: N'ukuvuga ko inyanya zitosubira aho izindi nyanya zivuye canke ngo ziterwe ahavuye ibiraya, intore, ipilipili; - Gutera imbuto zirobanuye; - Kurandura no kuzika ibiterwa birwaye;	Nta muti uriho wo kuyivura	Nta muti uriho wo kuyivura
Irunde ariyo Mozayike y'inyanya		- Gutera imbuto zirobanuye; - Kurandura no guhamba ibiterwa birwaye mu kinogo kiri kure y'umurima.	Nta muti uriho wo kuyivura	Nta muti uriho wo kuyivura
Ibinyabwoya		Gusoroma ivyamwa ibinyabwoya vyariye zigatabwa mu kinogo kure y'umurima	Gukoresha umuti wica udukoko witwa Dimetowate 40% EC	Mililitiro 10 (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST